# KNOW THE GLOW®



Leukocoria (“Akamuri”) ni ubugwayi bw’akamuri ko mu maso, kerekana indwara nyinshi jandi zihambaye zo mu maso zigeramuye abana kandi akaba ariyo mvo nyamukuru itera ubuhumyi bushobora kwirindwa my bana.

Iciza ni uko, “Akamuri” gatorwa biciye ku mafoto asanzwe yafashwe hakoreshejwe urumuri, bigafasga abavyeyi bo ju isi yose kurondera ubuvuzi bw’izo ndwara zishobora no kwica hakiri kare ariyo zigitangura.

## Intumbero

Intumbero yacu ni uguhasha no guheraheza ku isi yose ubuhumyi bushobora kwirindwa mu bana bakiri bato



## Igikorwa

Igikorwa cacu ni ukwigisha abanyagihugu n’abajejwe amagara y’abantu ingene botora “Akamuri” hamwe no gushira my ngiro ivyokorwa kugira birinde ubuhumyi bw’abana bato.

AMAKURU YEREKEYE

THE GLOW

- Umwana umwe mu bana 80 azokwerekana ikimenyetso c’Akamuri mbere y’imyaka icenda
- Ibice birenga 80 kw’ijana vy’abandura indwara ya Retinoblastoma na Coats’ batahuwe n’umuvyeyi cank umwe mu baryango biciyw muri iki gikorwa ca “Akamuri”.
- Irashobora kuba ikimenyetso c’indwara z’amaso n’indwara zirenga 30, “Akamuri” ishobora kuba ikimenyetso ca Amblyopia, indwara ya Coats, Congenital Cataract, Refractive Error, Retinal Dysplasia na Retinoblastoma n’izindi.

KNOW THE GLOW®

**AMAKURU YEREKEYE**

# U BU HUMYI


- Ku isi,buri misegonda 60 umwana umwe acika impumyi
- Hafi igice c'umuliyoni w'abana backia impumyi buri mwaka
- Ibitigiri vy'ubuhumyi bizokwigwiza na gatatu mu mwaka w'2050, kiretse utwigoro two kwikingira twonegerejwe
- Ubuhumyi muri leta zunze ubumwe z'Amerika bibonekako buzokwigwiza na kabiri mu mwaka w'2050
- Ibice 80 kw'ijana bw'ubuhumyi bwo mu bana burashobora kwirindwa canke bukavurwa
- Ibice 75 kw'ijana vy'abantu bakuze b'impumyi muri leta zunze ubumwe z'amerika ntakazi bafise
- Ikiguzi co gutakaza kubona kw'amaso ku isi yose cababa imiliyaridi 3000
- Ikiguzi co gutakaza jubona muri Leta zunze ubumwe z'amerika kirenga imiliyaridi 139 ku mwaka
- Kw'isi yose, abantu imiliyoni 39 ni impumyi
- Imiliyoni 285 z'abantu kw'isi ntibabona neza

## IHWEZE NEZA AMAFOTO, FATA AMAFOTO

"Akamuri" kaboneka mu mafoto yafashwe hakoreshejwe urumuri nk'akantu kera, cank k'umuhondo mu mboni y'ijisho hagati, kerekana vyizewe imwe mu ndwara z'amaso 30 zitandukanye n'izindi ndwara.

**Dusaba abavyeyi:**

1. Rondera "Amakuri!" wihweza neza amafoto ya kera canke ufata amfoto mashasha y'umwana wawe
2. Subira urabe amafoto neza ayo umwana atumbereye neza mu ifoto kubera "Akamuri" kaboneka gusa iyo atumbereye neza
3. Tegura igikoresho gifata amafoto (Camera) uzimya ibituma amaso aboneka ko adatukuye kugirango ufate neza "Akamuri"
4. Uragabe, nubona "Akamuri" rimwe. Gira ico ukoze, nukabona ubugira kabiri muri rya jisho nyene
5. Saba umuhinga my vy'amaso–abaganga banononsoye kuvura ivy'amaso–amupime ibipimo vyose vy'amaso, harimwo n'igipimo cerekana akamuri gatukura ko mu ndiba y'ijisho
6. Mu gihe uje gupimisha umwana wawe ku muganga w'amaso, uzoze urazana n'amafoto yerekana "Akamuri" my maso yiwe
7. Dufashe gukwiza ubutumwa! Na cane cane ku bavyeyi b'abana bakiri bato!!!



**Kubera ko nta mwana akwiye guhuma kubera indwara y'amaso ishobora kwirindwa**

*Ushaka kumenya vyinshi ku vyerekeye "Akamuri," subira **www.knowtheglow.org.***

*Sources: 10 FACTS ABOUT BLINDNESS AND VISUAL IMPAIRMENT. http://www.salute.gov.it/imgs/C_17_pubblicazioni_1656_ulterioriallegati_ulterioreallegato_0_alleg.pdf. 10 little-known facts about blindness. (2015, September 24). https://www.perkins.org/stories/10-little-known-facts-about-blindness.April 2010 Issue. https://retinatoday.com/issues/2010-apr. Balmer, A., & Munier, F. (2007, December). Differential diagnosis of leukocoria and strabismus, first presenting signs of retinoblastoma. https://www.ncbi.nlm.nih.gov/pmc/articles/PMC2704541/. The Economic Burden of Vision Loss and Eye Disorders in the United States. https://www.norc.org/Research/Projects/Pages/the-economic-burden-of-vision-loss-and-eye-disorders-in-the-united-states.aspx. Global Blindness Projected to Triple by 2050. (2018, May 18). https://www.seeintl.org/global-blindness-2050/. Hollows, F. (2017, April 21). The five facts about childhood blindness you need to know. https://medium.com/@FredHollows/the-five-facts-about-childhood-blindness-you-need-to-know-eb8149eccee.Hollows, F. (2017, April 21). The five facts about childhood blindness you need to know. https://medium.com/@FredHollows/the-five-facts-about-childhood-blindness-you-need-to-know-eb8149eccee. Munson, M. C., Plewman, D. L., Baumer, K. M., Henning, R., Zahler, C. T., Kietzman, A. T., ... Shaw, B. F. (2019, October 2). Autonomous early detection of eye disease in childhood photographs. https://www.ncbi.nlm.nih.gov/pmc/articles/PMC6774731/. Myers, C. (2016, November 9). High Rate of Unemployment for the Blind. https://work.chron.com/high-rate-unemployment-blind-14312.html. Potential disease detection using photographs in childhood vision screenings. (2016, February 17). https://knowtheglow.org/research-efforts-focus-on-increased-glow-detection-through-vision-screening/. Visual impairment, blindness cases in U.S. expected to double by 2050. https://www.nei.nih.gov/about/news-and-events/news/visual-impairment-blindness-cases-us-expected-double-2050.*